**REPUBLIQUE DU BURUNDI**

PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE
Secrétariat Général de l'Etat

# ITANGAZO RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI N°30 YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 08 KIGARAMA 2021

Inama y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 08 Kigarama 2021, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji, yarongoye ku munsi wa Gatanu igenekerezo rya 03 Kigarama 2021, ivyihwejwe navyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa.

Umushikiranganji wa Mbere ahejeje gushikiriza icegeranyo Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, ivyihwejwe ni ibi bikurikira:

1. **Integuro y'ibwirizwa rikinga rikongera rigahana ububisha buca ku buhinga ngurukanabumenyi mu Burundi**, yashikirijwe n'umushikiranganji w'intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere rusangi n'umutekano.

Muri iyi myaka, iterambere mu buhinga bwo gutumatumanako no guhanahana amakuru ryashitse ku rugero rushimishije, bica bituma ababukoresha basa nk'uko bari hafi na hafi.

Naho ubwo buhinga bufise akamaro ntangere, ubutunzi n'imibano mu bantu birabangamiwe n'ububisha bushasha buca muri ubwo buhinga. Ariko Uburundi nta mategeko bufise ahana ububisha mwen'ubwo.

Mu gitabu c'amategeko mpanavyaha c'Uburundi, harimwo ingingo zine zonyene zihana mwen'ivyo vyaha. Ako rero ni agahaze mu bijanye n'ubutungane. Ivyo bica bituma Uburundi buba mu bihugu bishobora kubangamirwa n'ubwo bubisha, bushobora guturuka mu gihugu canke hanze y'igihugu.

Birakenewe rero ko igihugu cacu kigira amategeko ahasha ubwo bubisha aza yunganira ayasanzwe ahari.

Mu bijanye n'ingene imanza zitohozwa n'ingene zicibwa, icibonekeza ni uko amategeko adakwiye.

Inama nshikiranganji yari yarize iyo nteguro, irayisubiza inyuma itanze intumbero y'ingene yohinyanyurwa neza.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro yahinyanyuwe, yasanze yarisunze intumbero yari yatanzwe, ica irayemeza.

2. **Integuro y'itegeko risubiramwo itegeko rishinga Ikigega kijejwe gufasha mw'ikwiragizwa ry'ubuhinga bwa none bwo gutumatumanako amakuru ngaha mu Burundi,** yashikirijwe n'Umushikiranganji ajejwe ubuhinga bwo gutumatumanako amakuru be n'ibimenyeshamakuru

Kuva mu kwezi kwa Gitugutu mu mwaka w'2017 ico Kigega gishinzwe, nticashoboye gushika kw'ihangiro ryaco ryo gufasha kugirango ubuhinga bwa none bwo gututumatumako amakuru bukwire mu benegihugu bose.

Kugirango ivyo bishoboke, ni ngombwa ko amategeko agenga ico kigega ahinduka, be n'ingene gitunganijwe.

Muri bishasha iyi nteguro izanye, hari ishirwaho ry'urwego nshingwantwaro rw'ico kigega, be no gushiraho umurwi nyobozi urongowe n'umuyobozi.

Hari n'izindi ngingo zimwe zimwe ziri mw'itegeko ryari rihasanzwe zahindutse, kugirango hatomorwe neza ingene ico Kigega gifasha mw'ikwiragizwa ry'ubwo buhinga, gutunganya mu buryo bworoshe ingene indinganizo y'ibizorangurwa be n'imigambi y'ico Kigega vyemezwa, no kugirango gishike ku mwimbu nyawo.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro, yarayemeje, ibanje kuyitosora no kuyunganira, ikaba yashinze ibi bikurikira:

- Umunyamabanga nshingwabikorwa w'igisata kijejwe ubuhinga bwa none bwo guhanahana amakuru (SETIC mu rurimi rw'Igifaransa) azoba Icegera c'Umukuru w'urwego nshingwantwaro;
- Gushira muri iri tegeko ingingo ivuga ibijanye n'abakozi bafasha, (personnel d'appui) ingene bangana n'ico umwe wese ajejwe;
- Gutomora muri iri tegeko ko umuhinga ajejwe ivyo guhanahana amakuru ari we azosigarira umuyobozi mu gihe yafatiriwe ;
- Gutomora ko uburyo bw'ibikorwa vya minsi yose bw'ico Kigega buzotangwa na Reta ;

- Gukura muri iyi nteguro ibijanye n’ikiringo gihabwa umushikiranganji ngo abe yagize ico avuga ku ngingo zafashwe n’urwego nshingwatwaro;
- Gushira muri iri tegeko ingingo ivuga ko ibijanye n’imishahara bizotomorwa n’irindi tegeko;
- Gukuramwo ingingo ya 27, isa n’iyivuga ko hari iyindi konte yokwugururwa ahandi atari muri Banki nkuru y’Igihugu;
- Ico Kigega cokora uko gishoboye kugirango ubuhinga bwo gutumatumanako amakuru bukwire mu rwaruka mu kururonsa ibirufasha nk’amashini canke amatelefone ;

3. **Integuro y’amasezerano hagati ya Reta n’ishirahamwe rijejwe gukoresha umuhora wo gutumatumanako amakuru ku buhinga bwa none no kuwubungabunga,** yashikirijwe n’Umushikiranganji ajejwe ubuhinga bwo gututumanako amakuru be n’ibimenyeshamakuru.

Reta y’Uburndi n’ishirahamwe ryo mu gihugu c’Ubushinwa StarTimes Communication Network Technology Co Limited barumvikanye gushinga ishirahamwe rijejwe gukoresha no kubungabunga umuhora wo gutumatumanako amakuru ku buhinga bwa none Reta yashizeho, no kuriha ideni Reta yafashe mu kuwushiraho. Iryo shirahamwe ryarashinzwe mu mwaka w’2015.

Amategeko agenga iryo shirahamwe ashinga umutahe waryo ku rugero rwa miliyoni ijana na mirongo itanu (150) z’amahera y’amarundi, Reta y’Uburundi ikaba ifisemwo ibice mirongo ine kw’ijana (40 %), StarTimes nayo ikaba ifisemwo ibice mirongo itandatu kw’ijana (60%).

Umuhora washizweho ku ngurane Reta y’Uburundi yafashe ingana na miliyoni mirongo itatu na zibiri n’ibihumbi amajana atandatu(32. 600.000) z’amadolari y’abanyamerika.

Inyuma y’imyaka ine iryo shirahamwe ryuguruwe icese, kandi ibice bigera ku mirongo icenda kw’ijana vy’iryo deni bimaze gukoreshwa, iryo shirahamwe risa n’iritarangura gukora. Amabanga y’umuyobozi mukuru w’iryo shirahamwe arangurwa n’uwurongoye ishirahamwe StarTimes, ivyo navyo bikaba bitera igipfungu.

Ivyigwa vyakozwe, vyerekanye ko hari ibidatomoye mu bijanye no gukorana kwa Reta nyen’umuhora, n’ishirahamwe ryashinzwe ngo rikoreshe ryongere ribungabunge uwo umuhora.

Ugukora nyezina kw’iryo shirahamwe kurakenewe kugirango uwo muhora ukoreshwe koko, kugirango n’ibikoresho bihari kuva mu 2016 ntibibandanye vyononekara.

Iyi nteguro y’amazerano ije kwerekana imigenderanire izoba iri hagati ya Reta nyen’ibikoresho, n’iryo shirahamwe rizoba ryahawe ububasha bwo kubikoresha no kubibungabunga, no kuriha ideni Reta yafashe mw’ibanki EXIMBANK yo mu gihugu c’Ubushinwa kugirango irangure uwo mugambi.

Mu gihe inama nshikiranganji yariko irihweza iyi nteguro y’amasezerano, ivyiyumviro be n’ivyapfunditswe ni ibi bikurikira:

- Reta niyo nyen’umuhora, kuko niyo yo nyene yafashe ideni ryo kuwushiraho;
- Reta ikeneye ishirahamwe ishinga uwo muhora, rikawukoresha rikongera rikawubungabunga ;
- Ishirahamwe ryashinzwe ngo rikoreshe ryongere ribungabunge uwo umuhora, rifise umutahe w’imiliyoni ijana na mirongo itanu (150) z’amahera y’amarundi, Reta n’ishirahamwe StarTimes batanze. Hamwe ayo mahera atoba akwiye kugirango iryo shirahamwe rikore neza, uwo mutahe wokwongerezwa ;
- Birakenewe ko Ubushikiranganji buvugana n’Ishirahamwe StarTimes kugirango bashireho inzego z’iryo shirahamwe STNB, ni ukuvuga urwego nshingwantwaro n’urwego nyobozi;
- Izo nzego zimaze kujaho, kuva ico gihe iryo shirahamwe STNB niryo rizohora rivugana na Reta nyen’umuhora, yarishinze gukoresha no kubungabunga;
- Ni gusuzuma neza ko iryo shirahamwe STNB ryashizweho rifise ubushobozi bukwiye kugirango rikore ico gikorwa ryashinzwe. Hamwe ritoba ribishoboye, ni kurondera irindi ;
- Aya masezerano ntashobora kugengwa n’amategeko agenga ugushira hamwe umutahe hagati ya Reta n’abikorera ivyabo, kuko iryo shirahamwe nta mutahe rizanye. Reta irihaye igikorwa co gukoresha no kubungabunga uwo umuhora gusa, bakumvikana ingene bahembwa bafatiye kuco bakoze, n’ico binjiza;
- Iryo shirahamwe siryo rizokwishura ideni Reta yafashe, ahubwo Reta izoriha iryo deni mu mahera ryinjije ;
- Horonderwa abahinga bo gusuzuma ingene ideni Reta y’Uburundi yasavye ryakoreshejwe n’ishirahamwe StarTimes.

4. **Integuro y’itegeko ritunganya umugwi ujejwe gukurikirana ihiganwa mu budandaji,** yashikirijwe n’umushikiranganji w’ubudandaji, gutwara abantu n’ibintu, amahinguriro n’ingenzi.

Ibwirizwa ritunganya uguhiganwa mu budandaji mw'ishirahamwe ry'ibihugu vyo muri Afrika y'Ubuseruko ryashizweho mu mwaka w'2006, Uburundi nabwo bwinjira muri iryo shirahamwe mu mwaka w'2007.

Mu ntumbero z'iryo bwirizwa, harimwo guteza imbere no gukingira urudandazwa atawurenganijwe muri iryo shirahamwe, gukingira abaguzi no gushiraho igisata kijejwe gukurikiranira hafi iryo higanwa muri iryo shirahamwe.

Nk'uko bitegekanywa n'iryo birizwa ryo mw'ishirahamwe ry'ibihugu vyo muri Afrika y'Ubuseruko, igihugu cose kiri muri uwo muryango gitegerezwa gushiraho ibwirizwa ritunganya iryo higanwa.

Ni muri iyo ntumbero mu Burundi hagiyeho ibwirizwa n°1/06 ryo ku wa 28 Ntwarante 2010 rigenga ihiganwa mu budandaji, kugirango n'abanyamitahe mpuzamakungu babone ko bakingiwe, bayizane mu Burundi.

Iryo bwirizwa rirategekanya umugwi wigenga ujejwe gukurikirana iryo higanwa mu budandaji.

Iyi nteguro ije rero gushiraho uwo mugwi, kugirango n'ishirwa mu ngiro ry'iryo bwirizwa rishoboke.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yarayemeje, ica ishinga ibi bikurikira:

- Gukura muri iyi nteguro ibisa n'ubudahangarwa buhabwa abagize uwo mugwi;
- Kwongera muri uwo mugwi uwuserukira Ubushikiranganji bwa Mbere, n'uwuserukira ubushikiranganji bujejwe imigabo n'imigambi y'ishirahamwe ry'ibihugu vyo muri Afrika y'Ubuseruko ;
- Gukura muri uwo mugwi abahoze bari muri Sentare ntahinyuzwa hakagumamwo abakiri muri yo;
- Kubatorwa kubera ubuhinga n'ubumenyi bafise, gutomora neza igisata baba bafisemwo ubuhinga.

5. **Ururwandiko rwerekeye gushikiriza ubushikirangani bw'ubudandaji, gutwara abantu n'ibintu, amahinguriro n'ingenzi amatungo yahora mu gisata cahora kijeje ingenzi,** rwashikirijwe n'umushikiranganji w'ubudandaji, gutwara abantu n'ibintu, amahinguriro n'ingenzi.

Itegeko n°100/094 ryo 09 Munyonyo 2020 ritunganya ubushikiranganji bw'ubudandaji, gutwara abantu n'ibintu, amahinguriro n'ingenzi ryarashizeho Ubuyobozi bukuru bujejwe ingenzi, buca bushingwa imirimo yahora ikorwa n'Igisata cari kijejwe ingenzi.

Uru rwandiko rushikiriza ko ivyahohora bikoreshwa n'ico gisata hamwe n'abakozi vyoshikirizwa Ubuyobozi bukuru bw'ingenzi.

Rushikiriza ko abakozi boronswa akazi hisunzwe urupapuro rw'umutsindo n'imirimo bagiye kurangura.

Inama nsjhikiranganji imaze guca hirya no hino urwo rwandiko yashinze ko :

- Ubushikiranganji bwobandanya ico gikorwa kuko buriko bugikora neza mu gushira abo bakozi aho bakenewe, hisunzwe abumenyi bwabo;
- Kwandika ko ari abakozi bashikirizwa ubushikiranganji kuko urwandiko ahanini nivyo ruvuga;
- Kubandanya kuvugana n'Ubushikiranganji bujejwe abakozi ba Reta kugirango burondere mu bundi bushikiranganji aho abo bakozi bakenewe.

6. **Integuro y'urwandiko rw'umwumvikano hagati ya Reta y'Uburundi n'ishirahamwe USILE ryo mu gihugu ca Togo ajanye n'umugambi wo kwubaka ibibanza vyo kurihishirizamwo tagisi y'imodokari mw'ibarabara (péage), n'iyarengeje urugero rw'ivyo yabwirizwa kwikorera(pesage),** yashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe inyubakwa, ibikoresho vya Reta no kugwiza uburaro.

Mu ntumbero yo kwegeranya uburyo bwo gusanura amabarabara, ibwirizwa riritegekanya aho buva hashika icenda.

Muri iyi myaka cumi n'umwe iheze, uburyo bwegeranijwe bwaraduze burarenga imiliyaridi  cumi n'icenda mu mwaka w'2013. Kuva uwo mwaka, bwaragiye buragabanuka gushika ku miliyaridi indwi zirenga gato. Ayo mahera ntakwiye kugirango ashobore kubungabunga no gusanura amabarabara.
Muri uyu mwaka w'2021 ushira uwa 2022, Reta yarashizeho uburyo burenga miliyaridi mirongo ibiri n'imwe bwo gukora mu bijanye n'amabarabara.
Ariko biguma bikenewe ko hokwegeranywa uburyo bwinshi mu kuraba ubutegekanywa n'amabwirizwa ariko busa n'ubwibagiwe. Aha twovuga itagisi ifatira ku buremere bw'imodoka, n'iyifatira kuvyo imodoka yikoreye birenze ivyo yari irekuriwe.

Ivyo rero bisaba kwubaka ku ma barabara aho izo modokari zipimirwa uburemere, be n'ubuhinga tudafise aha mu Burundi.

Ni muri iyo ntumbero iyi nteguro ishikirijwe. Ifise akamaro gakurikira :
- Abakoresha amabarabara bazoterera mu kuyasanura ;

- Gukingira amabarabara ntaze aronenekara ningoga bivuye ku modokari zikorera ibirengeye ivyo zirekuriwe.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro y'amasezerano, yashinze ibi bikurikira :

- Ubwo buryo bwo kurihisha ku ma modokari bushoboka iyo hari amabarabara meza, ico naco tukaba tutaragishikako aha iwacu;
- Aya masezerano yohabwa intumbero yindi, iryo shirahamwe rikabanza rikwubaka amabarabara meza n'ivyo bibanza vyo kurihiramwo bigategekanywa, rigaheza rikagiranira amasezerano na Reta y'ingene ryokwiriha ;
- Horonderwa no mu Burundi amashirahamwe ashobora gusanura amabarabara, agashiraho n'ubwo buhinga bwo kurihisha, bakumvikana na Reta ingene yokwiriha uburyo yakoresheje mu kuyasanura.

7. **Urwandiko rumenyesha ingene Ikigega kijejwe kugwiza uburaro mu bisagara cahindutse Ibanki ijejwe uburaro mu Burundi,** rwashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe inyubakwa, ibikoresho n'ibikorwa vya Reta no kugwiza uburaro.

Ikigega kijejwe guteza imbere uburaro mu bisagara cashinzwe mu mwaka w'1989, umutahe waco ukaba wangana n'imiliyoni ijana (100) z'amahera y'amarundi washizwemwo na Reta y'Uburundi. Ico kigega cari gifise umurimo wo kuronsa uburaro abakozi ba Reta n'abo mu mashirahamwe yegamiye Reta.

Kuva mu mwaka w'1993, ico kigega carahindutse kiba ishirahamwe risangiwe na Reta n'abigenga, umutahe uraduga kugera ku miliyoni amajana ane n'icenda(409) zisangiwe n'abanyamitahe cumi na bane(14).

Muri iki gihe, iyo banki (yahora ari ikigega) ifise umutahe ugera ku miliyaridi cumi na zitatu miliyoni amajana icenda na mirongo itatu na zitanu ibihumbi amajana atandatu na mirongo indwi na bitandatu n'amajana abiri na mirongo icenda n'ane z'amahera y'amarundi (13 935 676 294 Fbu ) usangiwe n'abanyamitahe mirongo ibiri n'indwi (27) Reta ikaba ifisemwo ibice mirongo itandatu n'indwi kw'ijana birenga gatoyi (67,08 %) .

Ubu iyo banki igengwa n'ibwirizwa n°1/17 ryo ku wa 22 Myandagaro 2017 ritunganya ibikorwa y'amabanki , be n'ibwirizwa n°1/09 ryo ku wa 30 Rusama 2011 rigenga amashirahamwe y'abikorera ivyabo n'ayo Reta ifisemwo imitahe.

Ku bijanye n'ingene ico kigega cahindutse kikaba ibanki, ni igikorwa catanguye mu mwaka w'2011, bisabwe n'inama nshikiranganji be n'ubugenduzi bukuru bwa

Reta muri uwo mwaka nyene. Iryo hinduka ryafasha kugirango iyo banki biyorohere kwegeranya uburyo, umutahe wiyongere.

Mu mwaka w'2015 niho hashikirizwa iciyumviro co kuduza umutahe kugera ku miliyaridi cumi na zitatu miliyoni amajana icenda na mirongo itatu na zitanu ibihumbi amajana atandatu na mirongo indwi na bitandatu n'amajana abiri na mirongo icenda n'ane z'amahera y'amarundi (13 935 676 294 Fbu ), kwubaka inzu iyo banki yokoreramwo, no kurondera abahinga bofasha muri ico gikorwa. Ubu uwo mutahe waratanzwe, n'iyo nzu yarubatswe.

Kw'igenekerezo rya 29 Ndamukiza 2021, niho Ibanki nkuru y'igihugu yamenyesha ico kigega ko cemerewe gukora nk'ibanki.

Inama nshikiranganji imaze gushikirizwa urwo rwandiko, yarabonye ko uguhinduka kw'ico kigega kikaba ibanki vyaciye mu nzira nyayo ihuye n'amategeko.

Ariko, inama nshikiranganji yaragarutse ku tunenge twigaragaje mu baserukira Reta muri ico Kigega, aho batagiye baramenyesha neza kandi ku gihe, ibiriko birakorwa babicishije ku bushikiranganji bakukira. Inama nshikiranganji yaciye isaba ibi bikurikira :

- Kumenya igituma Reta itagiye iramenyeshwa neza kandi ku gihe ibiriko birakorwa, n'ababifisemwo uruhara, hanyuma ingingo zibereye zifatwe ;
- Kuduza umutahe w'iyo Banki ;
- Kuvunira akagohe abarongoye iyo Banki barabe ko amabanga bagenewe ubwa mbere ariyo barangura ubu, be n'ingingo bafata ubu ko zijanye n'ivyo bari baragenewe;
- Gukosora utunenge tuhari kugirango abarongoye iyo banki bakore bari mu mategeko ;
- Gukurikirana neza umugambi w'Abarundi baba mu mahanga wo kwubaka amazu ntuburabuzwe kandi uhere ningoga ;
- Kuraba neza iyo Banki ntihave ihinduka ishirahamwe ryubakisha, ahubwo itange uburyo bwo kwubaka

8. **Icegeranyo c'ivyavuye mw'itohoza ry'imibereho y'abantu muri Komine y'ifatiro ya Gashoho mu Ntara ya Muyinga,** cashikirijwe n'Umushikiranganji ajejwe gushigikirana, imibano, agateka ka zina muntu n'iterambere ridakumira.

   Ugukingira no gutegakaniriza kazoza abenegihugu, ni imwe mu nkingi Reta y'Uburundi yishimikiza kugirango ishike kw'iterambere rirama. Ni muri iyo ntumbero mu mwaka w'2011 hashizweho umugambi wo gukingira no gutegekaniriza kazoza abenegihugu, be n'indinganizo y'ishirwa mu ngiro ryawo mu mwaka w' 2015.

Uwo mugambi utegekanya ko abantu bose boronka bikuru bikuru bikenerwa na bose nko mu bijanye no kwivuza, amazi meza, isuku no kwiga.

Inama ya bose igira gatanu n'iyigira gatandatu y'Umurwi w'igihugu ujejwe gukingira no gutegekaniriza kazoza abenegihugu, be n'ikoraniro kaminuza ku vyerekeye amagara y'abantu zaremeje zose ko kugirango mu Burundi abantu bashobore kuvurwa bose, bizosaba ko umuntu wese yinjira mw'ishirahamwe ryo kuvuzanya, kandi akagira ico atererey e. Ivyo navyo bisaba kubanza gushira abantu mu mirwi, hafatiwe ku mikoro yabo.
Ariko ivyo biharuro vyofatirwako mugushira abantu mu migwi ntivyari bwaboneke.

Ni muri iyo ntumbero Ubushikiranganji bujejwe gushigikirana, bubifatanije n'ihuriro ry'amashirahamwe yo kuvuzanya mu Burundi, bwagize iciyumviro co gukora itohoza ku mibereho y'abantu muri Komine y'ifatiro ya Gashoho mu Ntara ya Muyinga, mu kubashira mu mirwi bafatiye k'ukugene umwe wese abayeho n'ivyo atunze (amahera, amatongo, ibitungwa, uburaro, akazu ka surwumwe, n'ibindi…).

Ivyo vyatumwe abantu bashirwa mu migwi itandatu ariyo y'iyi ikurikira :
- Ntahonikora
- Aboro
- Abakene
- Abisununuye
- Abatunzi
- Abakire

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino ico cegeranyo, yashinze ibi bikurikira:

- Itohoza mw'ikomine imwe ntirikwiye kugirango rifatirweko ingingo. Bokorera n'imiburiburi muri Komine nka zibiri mu Ntara kama imw'imwe ;
- Uko ibintu vyogenda kwose, hoba hariyumvirwa ndetse hakanaharurwa ico Reta yoterera ;
- Harakwiye kuba hariyumvirwa ingene ishirahamwe ryo kuvuzanya ryoba rimeze, canke hagakomezwa ayasanzwe ariho;
- Ni kuzokorera no ku biharuro bizoba vyavuye muri rusansuma yo mu mwaka uza w'2022;
- Mu kurindira ko ibiharuro vy'ayandi makomine yafatiweko biboneka, boshira mu ngiro uwo mugambi muri Komine Gashoho nyene, mu ntumbero yo kuraba ingene witabirwa ;

- Kwerekana ku mwaka ku mwaka, abantu bavuye mu bukene, babifashijwemwo n'imigambi itandukanye.

9. **Utuntu n'utundi**

a) Umushikiranganji ajejwe inyubakwa, ibikorwa n'ibikoresho vya Reta no kugwiza uburaro yarashikirije urwandiko rujanye n'ikibazo kiri mu bibanza vyo kwubakamwo muri Kizingwe-Bihara.
Kubera ko Inama nshikiranganji yasanze ari ikibazo kiremereye kandi gikomeye, yaciye imusaba ko yotegura neza iyo dosiye, ikaja ku rutonde rw'ibizokwigwa mu yindi nama nshikiranganji.

**b)** Umushikiranganji ajejwe amazi, amasoko ntanganguvu, ubutare n'agataka nawe yaramenyesheje inama nshikiranganji ibijanye n'amasezerano aheruka gushirwako umukono ajanye n'ingabire y'amafaranga azokoreshwa mu gushikana umuyagankuba ahantu hagera kuri mirongo itatu na hatandatu(36) harimwo imirwa mikuru ya Komine mirongo ibiri n'itatu (23) itari bwaronke umuyagankuba ,yatanzwe n'ibanki ya Afrika ijejwe iterambere.

**c)** Nyenicubahiro umukuru w'Igihugu yaragarutse kw'isanganya ryavuye ku muyagankuba riraturira ibohero rikuru rya Gitega, aho hari n'abatari bake bahasize ubuzima, abandi nabo barakomereka, aca arahoza imiryango yabuze yongera yipfuriza abakomeretse gutora mitende n'ingoga.

Yarasuribiye aramenyesha inama yimirije izohuza Reta n'abo basanzwe bafashanya, aho bazotegurira hamwe imigambi n'indinganizo y'ibikorwa bagiye gushigikira. Uko ukwezi guheze, hazoheza haze harasuzumwa ivyashitsweko, kuvyategekanijwe kurangurwa ku rwego rw'ubushikiranganji, hanyuma ku mezi atatu naho bikorwe ku rwego rwa Reta, umwaka uheze habe isuzuma ryo muri rusangi hagati ya Reta n'abafashanya na Reta mw'iterambere.

Yasozereye asubira kwibutsa abashikiranganji gushira abahinga babo ku kivi, kugirango haboneke inyishu ku bibazo vy'abenegihugu, umwe wese mu gisata ajejwe. Ibirangurwa n'ubushikiranganji bitegerezwa kugira ico bimariye abenegihugu kandi bikaboneka.

Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo rya 09 Kigarama 2021

Umunyamabanga Mukuru wa Reta akaba n'Umuvugizi wayo

Prosper NTAHORWAMIYE